# LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME ''ITEKA''

***Ryemejwe n'itegeko nshikiranganji n°530/0273 ryo kuwa10 Munyonyo1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa6 Ruhuhuma1991***

## *ICEGERANYO C'UMUHARI UHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI « ITEKA » KU NYIFATO Y'AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI MU KWEZI KWA NDAMUKIZA 2026*






***Uwo uri wese ubahirizwa***


*Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodetta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka, yabuzwe irengero kuva kuwa 10 Kigarama 2015.Kuva muri Kigarama 2015 gushika kuwa 30 Ndamukiza 2026, abantu bashika 865 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, n'imiburiburi 86 barasubiye kuboneka abandi781 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w' igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero.*

**Ishirahamwe Iteka:**

- **« Ni umunywani w'ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afrika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu(FIDH),**
- **Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umugwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.**
- **rigizwe n'Inani mpuzamashirahamwe 17 ku ntara hamwe n'ibisata 32 ».**

[1] https://docs.un.org/fr/A/HRC/57/54

## *IKARATA NSHASHA Y'INTWARO Y'U BURUNDI*



# URUTONDE RW'IBIRIMWO

*IMPFUNYAPFUNYO*.....4

*I. INTANGAMARARA* .....5

*II. AMABI Y'IHONYANGWA RY'AGATEKA KA ZINA MUNTU*.....8

*II.1. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE*.....8

*II.1.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA* .....8

*II.1.1.1. UBWICANYI BUTEGUWE* .....8

*II.1.1.2. ABANTU BANYURUJWE N'ABABUZWE IRENGERO* .....9

*II.1.1.3.UBURENGANZIRA BW'UKUDAKUBAKURWA* .....11

*II.1.1.3.1. UKUBOREZWA IGUFA,UGUPFUNGWA CANKE UGUFATWA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI ATAGIRA IZINA* .....11

*II.1.1.3.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATWA KU NGUVU* .....12

*II.2. UBURENGANZIRA KU NDERO*.....13

*II.3. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI* .....13

*II.3.1. UBURENGANZIRA BW'ABANA* .....13

*III. UGUSOZERA N'IBISABWA*.....14

# *IMPFUNYAPFUNYO*

***ECOFO*** **: Ishure shingiro**

***ECA*** : Ishengero rukirisi ry'abatumwa

***CNDD-FDD*** : *Inama y'igihugu iharanira demokarasi-urunani rukingira demokarasi*

Inama y'igihugu

***CDS*** : *Ikigo c'ubuvuzi*

***CIDE*** **: Amasezerano mpuzamakungu ajanye n'agateka k'abana**

***UE*** : Ubumwe bwa Buraya

***VBG*** : Amabi afatiye ku gitsina

***SNR*** : Igendereza ry'igihugu

# I. INTANGAMARARA

Iki cegeranyo c'ukwezi kwa Ndamukiza 2026 kivuye mu ruvange rw'ivyegeranyo vy'indwi Iteka n' Ijambo kuva kuri nomero 520 gushika kuri nomero 524.Ico cegeranyo cihweza agateka ka zina muntu.Kiragaruka ku burenganzira bw'abantu no muri politike hamwe n'uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama.Co kimwe n' uburenganzira bw'imigwi canecane uburenganzira bw'abana.Ico cegeranyo kirangiza mu mpera n'uguszera hamwe n'ibisabwa.

Gutyo,agateka k'abantu no muri politike muri kino cegeranyo co muri kuno kwezi kaboneka ugukwirikira: abantu 30 barishwe harimwo 17 batowe ibiziga bikwiragiye mu burere butandukanye,abantu 3 baborejwe igufa,abantu 4 banyurujwe,abantu 14 bakorewe amabi afatiye ku gitsina harimwo abakobwa b'abana 11 bafashwe ku nguvu .


Mubakorewe amabi harimwo abagore 10 bishwe,abagore 2 banyurujwe,umugore 1 yaborejwe igufa hamwe n'abagore n'abakobwa 14 bakorewe amabi afatiye ku gitsina.

Imbonerakure,abapolisi, abo mu ntwaro n'abasirikare hamwe n'abandi bantu batari kure y'abanywanyi b' umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD baradomwako urutoke nk'abikekwa ko menshi muri ayo mabi ku gateka ka zina muntu n'ubwicanyi.

## *I.1. IKIGARA C'AMABI Y'IHONYANGWA RY'AGATEKA K'ABANTU NO MURI POLITIKE.*

***Igicapo1: Ikigara cerekana cerekana amabi nyamukuru y'ihonyangwa ry'agateka k'abantu no muri politike yiboneke je mu Burundi muri Ndamukiza 2026.***

| **Aho vyabereye / Intara** | **Igitigiri c'abakorewe amabi** | | | | | **Bose hamwe** |
|---|---|---|---|---|---|---|
| | Uguhagari-kwa | Ukunyuruzwa | Ukuborezwa igufa | Ukwicwa | Ihohoterwa rifatiye ku gitsina | |
| Buhumuza | 0 | 1 | 0 | 9 | 1 | **11** |
| Bujumbura | 0 | 3 | 0 | 1 | 3 | **7** |
| Burunga | 0 | 0 | 3 | 4 | 5 | **12** |
| Butanyerera | 0 | 0 | 0 | 5 | 3 | **8** |
| Gitega | 0 | 0 | 0 | 11 | 2 | **13** |
| Total | **0** | **4** | **3** | **30** | **14** | **51** |



### *I. I. Intangamarara (Ibikurikira urupapuro 5)*


Ico kigara kiri hejuru cerekana imigwi 5 y'amabi mu ntara 5 zitandukanye z'igihugu harimwo Gitega yagize aho agateka kazina muntu kahonyanzwe gusumba izindi ku bantu 13,igakurikirwa na Burunga ku bantu 12 hanyuma Buhumuza ku bantu 11,hagaca haza Butanyerera na Bujumbura ku bantu 8 bakozweko na 7 uko zikurikirana .

Gutyo,muri kuno kwezi kwa Ndamukiza 2026 kwa kino cegeranyo,umuhari Iteka waharuye 51bakorewe amabi ku gateka k'abantu no muri politike ku butaka bwose bw'igihugu.

Ayo mabi agabuwe ahanini ugukwirikira: abantu 30 bishwe,abantu 4 banyurujwe, abantu 14 bakorewe amabi afatiye ku gitsina ,abantu 3 baborejwe igufa.

***Igicapo 2: Ikigara cerekana abantu nyamukuru bikekwako uguhonyanga agateka ka zina muntu no muri politike mu Burundi muri Ndamukiza 2026***

| Abikekwako amabi | **Buhumuza** | **Bujumbura** | **Burunga** | **Butanyerera** | **Gitega** | **Total** |
|---|---|---|---|---|---|---|
| Abapolisi | 0 | 2 | 0 | 0 | 2 | **4** |
| Igendereza | 0 | 1 | 0 | 0 | 0 | **1** |
| Iyindi migwi | 1 | 4 | 3 | 3 | 4 | **15** |
| Abatamenyekanye | 4 | 1 | 2 | 4 | 5 | **16** |
| Uburozi | 0 | 0 | 0 | 0 | 2 | **2** |
| Imbonerakure | 3 | 1 | 3 | 0 | 0 | **7** |
| Kwica abana | 0 | 0 | 0 | 1 | 1 | **2** |
| Ukwihanira | 1 | 0 | 0 | 0 | 0 | **1** |
| Abasirikare | 1 | 0 | 0 | 0 | 0 | **1** |
| Ukwihorana | 3 | 0 | 2 | 0 | 0 | **5** |
| **Vyose hamwe** | **13** | **9** | **10** | **8** | **14** | **54** |





Kubwo ikigara,ku mabi yose yaharuwe y'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu muri kino kirundo ca Ndamukiza 2026, ayakozwe n'abantu batamenyekanye biboneka ko ariyo menshi ku bantu 16 agakurikirwa n'ayakozwe n' imbonerakure ku bantu 7 ,hagaca haza umugwi uzwe na "abandi", nk'abigenga harimwo abadandaza,amabi yo munzu arimwo amabi afatiye ku gitsina ku bantu 15, incuro 4 yakozwe n'abapolisi, 5 z'ukwihora,1 abakorera igendereza,1 abasirikare. Twomenyesha ko muri ayo mabi harimwo abana 2 bishwe, n'incuro 2 z'uburozi.

## *I. INTANGAMARARA(IBIKURIKIRA URUPAPURO 6)*

***Igicapo 3: Ikigara cerekana ibintu nyamukuru vyakozwe n'abo mu ntwaro inyuma y' ihonyanyanga ry'agateka ka zina muntu ryibonekeje .***

| Ubwoko bw'amabi | Igitigiri c'amabi | Igitigiri c'ivyakozwe | Aho atacakozwe |
|---|---|---|---|
| Uguhagarikwa | 0 | 0 | 0 |
| Ukunyuruzwa | 4 | 1 | 3 |
| Ukuborezwa igufa | 2 | 2 | 0 |
| Ubwicanyi | 28 | 23 | 5 |
| Amabi afatiye ku gitsina | 14 | 13 | 1 |
| **Vyose hamwe** | **48** | **39** | **9** |




Ku mabi 48 yaharuwe mu kiringo cafatiweko,incuro 39 niho hagize igikorwa , bigabuwe mu migwi nyamukuru 3, kugira hatorwe inyishu.Amabi amwe amwe yaratorewe umuti,mugihe ayandi akiriko arihwezwa,aho amatohoza ariko araba kugira haboneke umuti urama .

*Uwo uri wese ubahirizwa*

# II. ALLÉGATIONS DE VIOLATIONS DES DROITS HUMAINS

## II.1. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE


*UBurundi buri mu bihugu vyashize umukono ku masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'ukwigenga na politike(1965) hamwe n'amategeko yaryo mpfatakibanza (1976) ntabanduka kuwa 9Rusama 1990,icatumye mu ntumbero yo kuyashira mungiro,uBurundi bufata ingingo ingingo mu mategeko abugenga nko mw'ibwirizwa shingiro ryo kuwa 7 Ruheshi 2018(Itegeko kizigenza) mu ngingo yaryo 19 ivuga koamategeko yose yasomwe kandi agashigwaho n'amategeko mpuzamakungu yashizweko umukono ko ashizwe ashizwe mw'iryo bwirizwashingiro,amategeko arishira mu ngiro yarashizweho nko mw'itegeko mpanavyaha ryo kuwa 29 Kigarama 2017 no mw'itegeko rishira mungiro ibihano ryo kuwa 11 Rusama 2018 hamwe n'ayandi mashirahamwe akingira agateka ka zina muntu mu Burundi yarashizweho.*

### II.1.1.UBURENGANZIRA KU BUZIMA

#### II.1.1. 1. UBWICANYI BUTEGUYE

Mu kiringo ca kino cegeranyo,umuhari Iteka waharuye incuro 28 hishwe abantu aho hishwe abashika 30,harimwo abatowe ibiziga 14,mu mihingo itandukanye y'igihugu.Muriabo 30 bapfuye,harimwo abagabo20 n'abagore10.

| Intara | Ubwicanyi bwabaye | Igitigiri c'abakozweko | | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|---|
| | | Ub-wicanyi | Ibiziga | | |
| **Buhumuza** | **8** | 7 | 2 | 4 | 5 |
| **Bujumbura** | **1** | 1 | 0 | 0 | 1 |
| **Burunga** | **3** | 1 | 3 | 3 | 1 |
| **Butanyerera** | **5** | 1 | 4 | 5 | 0 |
| **Gitega** | **11** | 6 | 5 | 8 | 3 |
| **Zose hamwe** | **28** | **16** | **14** | 20 | 10 |



### *II.1.1 .UBURENGANZIRA KU BUZIMA(Ibikurikikira urupapuro 8)*

### *Uburorero buvyerekana:*

**Ak1:** Ikiziga c'umugabo w'imyaka *30 caratowe iKanyami, komine Ngozi yo mu ntara ya Butanyerera.*

Ico kiziga catowe ni ica Pascal Nkurunziza azwi kw'izina rya Nyamirenda,yatowe mu gashamba mu gitondo co kuwa gatanu igenekerezo rya 3 Ntwarante 2026 impande y'ihinguriro ry'inzoga Mu Burundi Brewery ku mu tumba Kanyami muri zone na komine Ngozi mu ntara ya Butanyerera.

Kubw'amasoko yo mu giporisi hamwe n'intwaro,uwo yatowe ikiziga yarafise igikomere ku mutwe hamwe n'ibirabagu mw'izosi vyerekana ko yishwe;impande y'ikiziga hariho imbugia iriko amaraso. Ababanyi b'uwo muhisi bavuga ko kuwa 02 Ntwarante2026, Pascal harivyo batahuje n'umugore kandi barashwana n'umugore wiwe hanyuma uwitwa Sotaire yaraje kgutabara hanyuma akomeretsa uwomugabo ku mutwe no ku kunboko,igiporisi cihutiye guhagarika Jean Marie Sotaire kugira bakore amatohaza

---

***Ak2:** Umugabo yarishwe n'umupolisi muri komine Nyabihanga mu ntara ya Gitega.*

Ku wa gatandatu mw'ijoro ryo ku wa 4 Ndamukiza 2026 rishira ku wamungu wa Pasika yo kuwa 5 Ndamukiza 2026,umuporisi

yitwa Irankunda Osias yararashe Nininahazwe Nestor,umugabo w'imyaka 30 afise ubunywero bwitwa ″Kwihuriro",ku mutumba KIBUNGERE,muri komine Nyabihanga, mu ntara yaeGitega. Umuhisi yari yubatse afise abana 2.

Amasoko yahoo,avuga ko uwo muporisiyakora kuri paruwasi sources Kibungere muri iyo komine,yaje muri iryo joro muri ubwo bunywer aca atangura gusotora abariko bivuna akanyota. Aca atangura kunywa ku macupa yabo.

Ariko Nestor Nininahazwe,nyeneubwo bunywero,yaranse ko umuporii anyw izoga yanje iri kw'icupa ryiwe.

Kubw'agashavu , yavciye agenda aho abaporisi bakora kuri paruwase baryama,hanyuma agaruka afise inkoho yiwe. Yaciye buno nyene arasa amasoro menshi kuri Nestor mu gikiriza.Yaciye apfira ahonyene.Uyo muporisi yaciye aja kwinyegeza mu bigo vya paroise Kibungere.


Niho abanyagihugu bamufata imbere yo kumushikiriza abajejwe umutekano kugira bamujanye mw'ibohero rya komine Nyabihanga kugira abazwe. Abanyagihugu bo muri ako karere bipfuza ko uyo muporisi yohanwa hakurikijwe amategeko.Bagasaba kandi ababifitiye uburenganzirakubuza gutwara ibikoresho bicira umuriro mu bunywero.

#### *II.1.1.2. Abantu banyurujwe canke babuzwe irengero*

Ibwirizwa shingiro ry'Uburundi riremerera abantu bose gucirirwa urubanza co kimwe ,hamwe n'ukumvirizwa n' ugucirwa urubanza mu gihe cemewe n'amategeko,nkuko ingingo ya 38 ibivuga.Umuhari Iteka waharuye abantu 4 banyurujwe harimwo abagabo 2 n'abagore 2 mu ntara za Bujumbura ku bantu 3 na Buhumuza bantu 2.Twomenyesha ko mubahuye n'ayo makuba harimwo umugore 1 n'abagabo 4.

| Intara | Aho banyurujwe | Igitigiri c'aba-nyurujwe | Abagabo | Abagabo |
|---|---|---|---|---|
| Buhumuza | 1 | 1 | 1 | 0 |
| Bujumbura | 3 | 3 | 1 | 2 |
| Burunga | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Butanyerera | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Gitega | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Intara zose | 4 | 4 | 2 | 2 |

### *II.1.1 .UBURENGANZIRA KU BUZIMA(Ibikurikira urupapuro 9)*




***Uburorero buvyerekana:***

***Ak1:*** Kuwa 06 Ntwarante 2026 muri karatiye Mubone, muri zone Buterere,muri komine Ntahangwa, mu ntara ya Bujumbura, Julien MANIRAKIZA umunywanyi w'umugambwe uri ku butegetsi kandi aba muri iyo karatiye nyene yarahagaritswe hanyuma ajanwa ahantu hatazwi. Ku bwo ivyabona vyaho,Julien yahagarikiwe muhira iwe n'umuporisi yitwa Eric aba kw'ibarabara rya 2 i Mubone arikumwe n' akarwi k'imbonerakure harimwo Amuri BUKURU, umutware mushasha wa karatiye Mubone, batazira Sylvat,arongoye ikigo c' Uburusiya cubatswe kw'ibarabara ryo muri karatiye Mubone, uwitwa Lionel aba ku rya 1,uwitwa Ernest adandaza amatafari kandi aba kw'ibarabara rya 5 ku Mubone,uwo bita Madisi na Eric umukozi w' iperereza aba kurya 12. Ku bwo ivyo vyabona nyene,Julien Manirakiza yari yatowe nk' umutware wa karatiye Mubone mu matora aherutse kuba ariko akurwa atamvo iboneka naho ariwe yashimwa n'abanyagihugu kandi yarasavye kurenganurwa,ubu arindiriye inyishu

Kuva kuwa 6Ntwarante 2026,yarabbuzwe irengero, abagenzi n'abaegereye Julien MANIRAKIZA basaba kumenya aho uwabo yoba yarajanywe hamwe ico yagirizwa.

---

***AK2:*** Umuhari Iteka waramenyeshejwe kuwa 01 Ndamukiza 2026 ko kuwa 31 Ntwarante 2026, hafi y'isaha cumi n'imwe z'igitondo, kw'ibarabara rya13 rya Maramvya,muri zone Mutimbuzi, muri komine Ntahangwa, mu ntara ya Bujumbura, Daniel BIZIMANA, umupasitori arongoye ishengero rya Eglise Chrétienne des Apôtres, ECA mu mpfunyapfunyo, yaranyurujwe n'abantu batamenyekanye hanyuma bamujana ahantu n'ubu hataramenyekana gushika ubu . Kubw'ivyabona vyo mu karere,Daniel BIZIMANA yanyurujwe mu gitondo co kuwa 31 Ntwarante 2026inyuma yokwitaba iterefone yitavye akiri muhira iwe.

Kubw'intahe twatororokanije,uwo yanyurujwe yarafitaniye amatati na François NDAYISHIMIYE batazira RABERO.Inyuma y'amazi 6 avuye mw'ishengero rirongowe François NDAYISHIMIYE hanyuma akaja mu rindi shengero riri mu karere bita ku Masanganzira, aho yakurikiwe n' abakirisu benshi.François NDAYISHIMIYE yarahiye ko azomukorera ikibi kuva bavanye.

*Uwo uri wese ubahirizwa*


### *II.1.1.3. UBURENGANZIRA BWO KUDAKUBAGURWA*

Ibwirizwa shingiro ry'u Burundi mu ngingo yaryo ya 21 ritomora ko "Nta numwe yoborezwa igufa haba gupfungwa canke canke gufatwa bunyamaswa,ugufatwa mpiri canke guturubikwa". Kuri ivyo hiyongerako itegeko n°1/04 ryo kuwa 27 Ruheshi 2016 rikingira aba abahohoterwa kandi rirategekanya ingingo zo gukingira agateka ku mutima no kumubiri.Ivyo bikerekana neza ukwiyemeza kw'igihugu gukingira abanyagihugu baco.

### *II.1.1.3.1.UKUBOREZWA IGUFA,UGUPFUNGWA N'UGUFATWA BUNYAMASWA HAMWE N'AYANDI MABI*

Muri kuno kwezi kwa Ndamukiza 2026,umuhari Iteka wabaruye abantu 3 bafashwe bunyamaswa ku butaka bwose bw'igihugu.Ababikorewe baharurwa mu ntara ya Burunga ku bantu 3,harimwo abagabo2 n'umugore1.

| Intara | Incuro baborejwe igufa | Igitigiri c'ababikorewe | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| Buhumuza | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Bujumbura | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Burunga | 3 | 3 | 2 | 1 |
| Butanyerera | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Gitega | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Zose hamwe | 3 | 3 | 2 | 1 |




***Uburorero buvyerekana:***

**Ak1:** Kuwa 13 Ndamukiza 2026, hafi y'isaha zitatu z' ijoro ,ku mutumba Karinzi,muri zone Rongero, muri komine Rutana, mu ntara ya Burunga, Salvator Barashingwa n'umugore wiwe Marcelline Itangishaka, bose bo mu mugambwe CNDD-FDD barakubiswe hakoreshejwe inkoni n'Imbonerakure, urwaruka rwo mu mugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD harimwo Elias, Éric na Egide kubera guha indaro umuntu batabwiye umutware w'uwo mutumba.Abo bakubishwe bumva ububabare umubiri wosekandi bari mu bitaro vyo mu Rutana kugira bavurwe mugiye abikekwako icaha bari mw'ibohero rya komisariya ya komine Rutana.Muri iryo joro nyene,uwo muntu yari yasavye indaro ni nawe yabajanye ku bitaro.

---

***Ak2:*** Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 17 Ndamukiza 2026 ivuga ko kuwa 2 Ndamukiza 2026,ku mutumba nyakuguma,muri zone ya Kigwena,muri komine Rumonge, mu ntara ya Burunga, uwitwa Irambona, umuporisi wo ku kirindiro ca zone Kigwena yarakubizwe yongera arakomereka ku mutwe no ku bitugu ku kuboko kw'ibubamfu bitewe na Irakoze Issa,Imbonerakure yo mu mugambwe CNDD-FDD azwi nk'umunywi w'inzoga zibujijwe n'amategeko. Ku bwo amakuru twatororokanije aho nyene,uwakoze ayo mabi yatanguye gushwana mu nzu y'ubudandarizo kandi ashaka gukubita umudandaza hanyuma uwo


### *II.1.1.3. UBURENGANZIRA BW'UKUDAKUBAGURWA (Ibikurikira urupapuro rwa11)*

nawe aca aratabaza. Umuporisi yaciye ahashika gutabara imbere yo kumuhagarika no kumujana mu gasho ka zone hanyuma baheze bamurungika muri komisariya y'igiporisi mu Rumonge. Uwo muporisi yakubiswe nawe ajanwa ku kigo c'ubuzima ca Cabara hanyuma arungikwa ku bitaro vya Rumonge kugira bakurikirane ubuzima bwiwe.

### *II.1.1.3.2. IHOHOTERWA RIFATIYE KU GITSINA/UGUFATA KUNGUVU.*

Mu kiringo c'iki cegeranyo,umuhari Iteka waharuye abantu 14 bakorewe amabi afatiye ku gitsina ku butaka bwose bw'igihugu. Muri bo abana b'abakobwa 11 barafashwe ku nguvu.Ikigara kiri musi kirerekana uko vyakozwe ku ntara imwe imwe,aho Burunga iza ubwambere ku bantu 5 babikorewe ,igakwirikirwa na Bujumbura na Butanyerera ku bantu 3 imwe imwe ,hagaca hahereza Gitega na Buhumuza ku bantu 2 n'umwe 1 babikorewe.

| Intara | Aho hakozwe ayo ma-bi | Igitigizi amabi yakozeko | | Abana | Abagore |
|---|---|---|---|---|---|
| | | Amabi afatiye ku gitsina | Ugufata ku nguvu | | |
| **Buhumuza** | **1** | 0 | 1 | 0 | 1 |
| **Bujumbura** | **3** | 0 | 3 | 0 | 3 |
| **Burunga** | **5** | 2 | 3 | 1 | 4 |
| **Butanyerera** | **3** | 1 | 2 | 1 | 2 |
| **Gitega** | **2** | 0 | 2 | 0 | 2 |
| **Zose hamwe** | **14** | **3** | **11** | **2** | **12** |




## *Uburorero buvyerekana:*

***Ak1:*** Ku w'Imana igenekerezo rya 5 Ntwrante 2026, hafi y'isaha cumi n'imwe z'umugoroba,umukobwa w' umukangara yitwa I. J, w'imyaka 16, yarafashwe ku nguvu n'umugabo ashaje yitwa Gakindo Naboli afise imyaka70 .

Ku bw'amasoko yacu,ivyo bintu vyabereye ku mutumba wa Rwingiri,muri komine Bugendana, mu ntara ya Gitega. Iryo soko nyene rimenyesha ko uwo mugabo,w'umubanyu n'uwo yafashwe ku nguvu,yahengereye ari wenyene muhira.Yinjiye iwabo afise umupangahanyuma amutera ubwoba ko amwica niyo yanka ko baryamana. Uwo mukobwa yaremeye ku gahato. Ariko,ariko arashurashuza,umwana yarakomye induru,icatumye nyina wiwe avyumva, ashitse nk'aka kanya aho muhira.

Uwo mutama yafatiwe aho nyene,mugihe uwafashwe ku nguvu yaciye ajanwa kwa muganga vyihuse ku kigo c'ubuzima ca Nkanda kugira aronke ubuvuzi bwambere.

### *II.1.1.3.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATA KU NGUVU (Ibikurikira urupapuro12)*

Uwo munsi, uwakoze ayo mabi,arapfungiwe mu gasho k'igiporisi i Bugendana.

---

***Ak2:K***uwa 16 Ndamukiza 2026, umunyeshure B. E, kw' ishure nshingiro i Nyakerera, mu mwaka wa 2,ku mutumba Nyakerera, muri zone Minyare,muri komine Cankuzo,mu ntara ya Buhumuza, umukobwo B na R, w'imyaka 11 yafashwe ku nguvu n'umusoda yitwa Nkuriyingoma Abdoul, caporal, wo mw' ikambi y'igisirikare ya Mutukura iri impande y'umuhana w'umuryango wuwafashwe ku nguvu.

Kubw'amasoko yo mu karere,uwo yikekwa ko icaha yari muhira kwa Bukuru inyuma y' umutaga. Umukobwa yari wenyene. Abdoul yasavye Emelyne kumuha umupanga kugira aje kurondera umuti mw'ishamba riri hafi hanyuma amuhenda ngo amuherekeze kugira ace atora umupanga. Niho yaca amushurashuza amuhaye amahera 5000fbu. Ashitse muhira,mukase yabonye ayo mahera mu minwe ya Emelyne hanyuma aca aramubwira vyose uko vyagenze. Twobamenyesha ko nyina wa Emeline yari Renathe yapfuye anizwe kandi atabwa mu ruzi inyuma yo gufatwa ku nguvu n'abagizi ba nabi batamenyekanye haciye imyaka itanu.

Umuryango wa Bukuru yarateye akamo indongozi z'ikambi ya Mutukura. De corps w'ikambi ya Mutukura yitwa Adjudant Major Hakizimana Claude yaragerage kurondera umwumvikano hagati ya se w'uwo mwana hamwe n'uwikekwa ko icaha hakoreshejwe amahera.Umuryango wa Bukuru waranse ariko ahubwo usaba ibipimo vya muganga. Kubwo ababanyi b' umuryango,umwana yarakomeretse kandi ariko aravuzwa. Kuva uwo munsi, Abdoul Nkuriyingomayanyegejwe na De corps ku kirindiro kitaramenyekana.

## *II.2. UBURENGANZIRA KU NDERO*

Mu kwezi kwa Ndamukiza,ingendo yo guheba amashure vyaravuzwe muri komine Muramvya mu gice ca kabiri c' umwaka w'ishure 2025-2026,aho vyari biteye ubwoba,ku gitigiri c'abahevye gishika ku rugero rubabaje. Abanyeshure bo mw'ishure shingiro cane cane nibo iyo ngendo ikorako.Kubwo ibivugwa n'uwurongoye igisata c'indero muri komine Muramvya,imvo nyinshi zirasigura ako kaga:ubukene,inda z'indaro,ingorane zitandukanye z'amagara,ukwimuka kw'imiryango,ugushinga imiryango bataragera,hamwe n'inzindi mvo.Amatohozwa yakozwe mu bantu bahaba yashize ahabona ko ubukene aribwo ahanini butera ukwo guheba amashure.

## *II. 3. UBURENGANZIRA KU MIGWI*

## *II.3.1. UBURENGANZIRA BW'ABANA*

Uburenganzira bw'abana burakingiwe muBurundi biciye mu masezerano mpuza makungu avuga ku burenganzira bw'abana (CIDE) yashizweko umukono mu 1990. Igihugu caranashizeho amategeko hamwe na politike yo gukingira abana.
Ariko rero,intambamyi ziracari nyinshi mw'ishirwa mungiro.Muri mu kino kiringo c'icegeranyo co muri Ndamukiza, agateka k'abana karakozweko cane.Iruhande yo gufatwa ku nguvu hamwe n'ayandi mabi yavuzwe aho hejuru yakorewe abana b'abakobwa biraboneka ko abakobwa bakiri bato bajanwa mu bikorwa vy'ubuhumbu,cane cane muri komine Kayanza.Umuhari Iteka waranatohoje aho hari uwahevye ishure kubera ugukorora imbanyi,umwana yishwe,hamwe n'ugukubita bakongera bagakomeretsa n'inkana abana bitwaza kubahana.
Ivyo vyabaye bishira ahabona akabi kabishe gakorerwa abana bikongera bigaserura ibibazo kuvyerekeye ugukingira hamwe n'ubutungane kubageramiwe gusumvya abandi mu Burundi.

# *III. UGUSOZERA N'IBISABWA*

Mu kiringo c'iki cegeranyo,itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya ryibonekeza mu mihingo itandukanye y'igihugu.Igitigiri c'abatswe ubuzima,abakubaguwe,uburenganzira bw' ubutunzi,imibano n'imico kama hamwe n'uburenganzira bw'abana batohojwe ni benshi kubera umuhari Iteka nt'ugira ubushobozi bwp gukwira hose twongeye tukaraba ivyatohojwe mu mikoro make,si agaseseshwa rumuri,agateka ka zina muntu kararaje ishinga Burundi.

Vyongeye ,umuhari Iteka urabona ko ibikorwa vy'ubutungane biguma bitanguzwa n'inzego zimwe zimwe za Leta kugira barwanye ayo mabi baniruhutse kubera ari intambwe ikomeye mu kurwanya ukudahana umuhari Iteka wiyamiriza.

Ariko rero,umuhari Iteka uratera ivyatsi igaruka garuka ry'amabi yibonekeza kandi ugasaba ibikurikira:

**Kuri Leta y'u Burundi:**

1. Kubahiriza agateka ka zina muntu, nk'uburenganzira ku buzima, ukwitwararikana muri vyose hamwe n'umwidegemvyo.

2.Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana amabi hamwe n'uko abakoze amabi y' ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu bishura ivyo bakoze.

2.Gutohoza no guhana bimwe biboneka amabi akorerwa abana bato vyabaye akayoberabahinga mu Burundi abatware barorera hamwe n'abandi bo mu mugambwe uri ku butegetsi.

**Ku bumwe bwa buraya n'abandi ubafasha muvyo ubuhinga n'uburyo mu Burundi :**

1. Gushigikira utwigoro tw'umuhari Iteka hamwe n'ayandi mashirahamwe aharanira gukingira agateka ka zina muntu mu vyerekeye ugukwirikirana ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu mu Burundi.

2. Gukoresha ububasha bwabo mukugondoza abarongozi b'uBurundi bubahirize agateka ka zina muntu bongere basezerere ukudahana.